# REPUBURIKA Y'UBURUNDI

## IBIRO VYO KUMENYESHA AMAKURU

Tel: +257 77 535 000
E-mail: bic@kwantare.gov.bi
Site web: www.kwantare.gov.bi

Ntare House Communications
Facebook: /PresidenceBurundi
Twitter: @KwaNtare

## ITANGAZO KU BIMENYESHAMAKURU

Kuri uno musi twahimbaje umusi mukuru wa Noweri, Abepiskopi ba Ekleziya Gatolika bashikirije ijambo abakristu bose babipfuriza umusi mukuru mwiza. Ibiro vyo kumenyesha amakuru mu biro vy'Umukuru w'Igihugu vyashimye kugaruka kuri iryo jambo mu ntumbero yo gushima intererano ya Ekleziya Gatolika mu kwubaka igihugu.

Bisunze ikete-nyigisho rya Papa Francisco ryo kw'igenekerezo rya 04 Gitugutu 2020, Abepiskopi ba Ekleziya Gatolika mu Burundi berekanye ko bipfuza ko hoba gutera intambwe mu kwubaha Imana na ririya twashize Imana imbere mu gihugu c'Uburundi.

Umwambiro w'urukundo Abepiskopi bipfuza ko wogwira muri politique, ni na wo Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu c'Uburundi Varisito Ndayishimiye yasavye abarundi igihe yariko abipfuriza Noweli nziza, abibutsa ingaruka nziza z'urukundo mu mpande zose. Ati: "*abarundi bose bohinduka bagahindura ingendo bakagira umutima w'ubuntu, ntibigungireko itunga rusangi.*" Birahimbaye kubona Reta y'Uburundi n'Abepiskopi bavuga rumwe "*ku bantu berekana ko bari hafi y'abenegihugu kandi hinyegejemwo gukingira inyungu zabo*." Ni na co gituma Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye yashizeho ku mirwa mikuru y'Amakomine udusandugu Abenegihugu bashobora gushiramwo ibibabakiye canke bakadomako urutoke uwo ari we wese yogira ingendo mbi yo kwonona itunga rusangi.

Abepiskopi barasaba kandi ko hokwama habaho kuja inama n'ingingo. Ivyo na vyo bikaba bitera intege Reta kuko biri mw'ihangiro rya Reta Mvyeyi - Reta Nkozi, aho abarongozi bama bariko barakoranya abarundi bo mu mice n'ibisata bitandukanye kugira baterere ivyiyumviro vyubaka.

Ikindi giteye igomwe ni ukubona ingene Reta y'Uburundi n'Abepiskopi Gatorika bavuga rumwe ku bijanye no kurekuriranira no gusubiza hamwe hagati y'abonse rimwe. Ugutahukana no kwakira neza impunzi zari zahungiye mu bihugu bitandukanye, tutibagiye igikorwa c'umurwi ujejwe kumenya ukuri no kurekuriranira CVR, ni bimwe mu vyo Reta idahengeshanya kwitwararika kuko yipfuza ko Abarundi baja hamwe, bagahuza imitima n'inama mu kwiteza imbere no mu guteza imbere igihugu cabibarutse.

**Amb. Willy Nyamitwe**
*Umukuru w'Ibiro bijejwe Amakuru*